**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

## ITANGAZO N $^{0}$ 10/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 26 RUHESHI 2024

Inama Nshikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 26 Ruheshi 2024, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Umushikiranganji wa mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yabaye kw'igenekerezo ya 24 Ruheshi 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

### 1. Integuro y'itegeko rigenga inkino zo kurushanya umugisha mu Burundi,
yashiikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Gushika mu mwaka wa 2000, ishirahamwe LONA ryaratunganya umukino wo gutumbora biciye mu guharura udutike ryagurisha.

Muri iki gihe, ishirahamwe LONA rirafise ayandi mashirahamwe cumi n'atanu (15) yemewe n'amategeko bagiraniye amasezerano, akorera muri ico gisata c'inkino zo kurushanya umugisha, hakaba mbere n'ayandi aguma asaba kwemererwa. Ishirahamwe LONA rirakinisha izo nkino, rikongera rigacungera ico gisata, iyo mirimo na yo mu bisanzwe ikaba itabangikana.

Mu mwaka wa 2023, Reta y'Uburundi yaremeje umugambi wo gukurikiranira hafi no gucungera inkino zo kurushanya umugisha, uwo na wo ukaba utegekanya ko hashirwaho amategeko agenga ico gisata kugira ngo gikurikiranwe neza, hanyuma kigire ico giterereye mw'iterambere ry'imibano n'ubutunzi vy'igihugu.

Iyi nteguro y'itegeko rero ije nk'inyishu kuri uwo mwitwarariko, ikazofasha muri vyinshi:

1° Kugira igisata c'inkino zo kurushanya umugisha gitunganijwe neza, gikurikiranirwa hafi kandi kigenzurwa neza ;
2° Gukingira abenegihugu muri rusangi, na canecane abitabira izo nkino;
3° Gusuzuma ico amashirahamwe akorera muri ico gisata aterera mw'iterambere ry'igihugu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, mu vyo yashikirije harimwo ibi bikurikira:

1° Harakwiye kwigwa neza urugero rw'amafaranga yokwinjira mu kigega ca Reta avuye mu yegeranijwe n'ishirahamwe rikorera muri ico gisata;
2° Ibisabwa kugira ngo ishirahamwe ryemererwe gukorera muri ico gisata birakwiye gutomorwa neza;
3° Ibibanza izo nkino ziberamwo vyokwerekanwa hamwe n'umwanya izo nkino zirekuriwe gukinwa;
4° Ikiringo ishirahamwe rikora cotomorwa, hamwe n'ingene rishobora kwongerwa uruhusha rwo gukora.

Iyo nteguro izoheza igarukanwe mu nama nshikiranganji, ikazozanana n'integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya igisata kijejwe gukurikiranira hafi no kugenzura inkino zo kurushanya umugisha.

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

Integuro naryo nyene rizozanana n'iyo nteguro.

## 2. Urwandiko rwerekeye ikibanza co kwubakamwo ikivuko ca Rumonge,
rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Kw'igenekerezo rya 07 Ruhuhuma 2024, inama nshikiranganji yarihweje integuro y'itegeko ritangaza ko ikibanza kizokwubakwamwo ikivuko ca Rumonge gikenewe ku nyungu rusangi.
Mu vyo inama nshikirangaji yashikirije ico gihe, harimwo gushiraho umugwi mpuzabushikiranganji w'abahinga wosuzuma ibi bikurikira :

1° Igitigiri nyaco c'imiryango iri muri ico kibanza;
2° Gusuzuma ko iyo miryango iri inyuma y'imetero ijana na mirongo itanu (150) kuva ku kiyaga.

Nk'uko amategeko y'igihugu abitegeka, iyo miryango ishika 13 ihari yategerezwa kuva muri ico kibanza atakirinze gusabwa

Ariko amasezerano ari hagati ya Reta y'Uburundi n'ibanki y'isi yose mu bijanye no kuronsa uburyo uwo mugambi ategekanya ko abo uwo mugambi uzokorako, bokwimurwa hakurikijwe ivyo Ibanki y'isi yose yisunga mu gukingira ibidukikije n'imibano mu gihe ari yo yatanze uburyo bwo kurangura umugambi.

Uru rwandiko rusaba rero ko Reta yokwemera ko iyo miryango 13 yokwimurwa, uburyo bwo kuyimura bukazova muri uwo mugambi ushigikiwe n'ibanki y'isi yose.

Inama nshikiranganji yaremeye ico ciyumviro.

## 3. Umugambi wo gutunganya neza imitumba kugirango ishobore guhangana n'ihindagurika ry'ibihe,
washikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Intumbero y'uwo mugambi ni gutunganya imitumba ihanamye kugirango isi ntibandanye itituka kuko bigira ingaruka ku mibereho y'imiryango canecane iy'amikoro make.

Muri uwo mugambi, abenegihugu bazokwongererezwa ubumenyi n'ubushobozi bwo kwitegura no guhangana n'ihindagurika ry'ibihe canecane imyuzurira, imisozi yururuka, uruzuba n'ibindi.

Uburyo bugenewe uwo mugambi ni imiriyoni mirongo irindwi (70) z'amadorari y'abanyamerika , 50 zizotangwa n'ibanki y'isi yose na 20 zizotangwa n'Ikigega kijejwe ibidukikije kw'isi.

Uwo mugambi uzorangurirwa mu ntara 7 ari zo Cibitoke, Gitega, Kirundo, Kayanza, Bujumbura, Muyinga na Bururi, imitumba ihanamye mirongo irindwi n'umwe (71) ikaba ari yo yatowe kuzotunganywa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi yarawemeje, ica isaba ko imikobeko yaciwe yoza irasiburwa, kandi ko uwo mugambi bibaye ngombwa wokwinjizwa mu migabo y'igihugu.

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

4. **Urwandiko rwerekeye ibiharuro mfatiro mu Burundi vyo mu mwaka wa 2016,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi**.**

Urwo rwandiko rwateguwe hisunzwe itegeko rishinga rikongera rigatunganya umugwi w'igihugu ujejwe ibiharuro mfatiro aho rivuga ko ivyo uwo mugwi wapfunditse mu nama yawo bimenyeshwa inama nshikiranganji.

Ivyo biharuro mfatiro vy'igihugu birafasha mu kwerekana neza ishusho y'ubutunzi bw'igihugu mu mwaka kanaka.

Kugirango ivyo biharuro bikorwe kumwe mu bihugu vyose, ishirahamwe mpuzamakungu ONU ryarateguye ryongera riremeza ubuhinga bwisungwa mu gukora ivyo biharuro ryongera rirabushikiriza ibihugu. Ubwo buhinga rero burahinduka uko imyaka igenda ihera.

Kw'igenekerezo rya 11 Ruheshi 2024 uwo mugwi w'igihugu warakoranye kugira ngo wihweze ibiharuro mfatiro vyo mu mwaka wa 2016.

Inama nshikiranganji rero imaze kumenyeshwa ivyavuye muri iyo nama yo kwihweza ibiharuro vyo mu mwaka wa 2016, yaremeje ko vyomenyekanishwa.

Yaciye isaba ko ibiharuro vyo kuva mu mwaka wa 2017 gushika mu mwaka wa 2023 vyoba vyihwejwe imbere y'uko umugwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU ujejwe ibiharuro mfatiro ushiraho ubuhinga bushasha bwisungwa muri Ruhuhuma 2025, hamwe rero n'uko muri kazoza umwanya utegekanywa mu kwegeranya no kumenyekanisha ivyo biharuro mfatiro wokwubahirizwa.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko Igisata kijejwe kwegerenya ibiharuro mfatiro mu Burundi INSBU coronswa abakozi b'abahinga bakwiye kugirango gikore umurimo waco neza,

5. **Utuntu n'utundi.**

Inama nshikiranganji yaramenyeshejwe ko akaruhuko k'abagize Urwego nshingwabikorwa rwa Reta y'Uburundi kazotangura kw'igenekerezo rya 08 Mukakaro kakarangira kw'igenekerezo rya 26 Mukakaro 2024. Imirimo ya misi yose ikazosubira gutangura ku wa 29 Mukakaro 2024.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 27 Ruheshi 2024

**Umunyamabanga Mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. –**